Gupima COVID-19

Nokwipimisha ryari COVID-19

- Iyo ufise ibimenyetso vya COVID-19.
- igihe ushobora kwandura ingwara zikomeye kandi ukaba mu misi mikeya iheze waregeranye n'uwanduye COVID-19.
- ukaba waregeranye n'uwuri mu rugo yanduye COVID-19 kandi ukaba ushobora kwandura vyoroshe.

Ni nde ashobora kwandura vyoroshe ingwara zikomeye?

- Abantu bafise imyaka 60 n'abayirengeje
- Abagore bibungenze
- Abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander hamwe n'abantu bitwa Pacific Islander (guhera ku myaka 35 no kuyirenza)
- Abantu bavyibushe cane, abagwaye igisukari, abarwaye ingwara zikomeye z'umutima, ingwara zidakira z'amahaha *(harimwo asthma ikomeye isaba ko habayeho ukwinjizwa ibitaro mu mezi 12 aheze)*, abagwaye ingwara zidakira z'igitigu canke amafyigo, cansera canke abantu bafise intege nke z'umubiri zo kwigwanirira
- abantu bamwe bagendana ubumuga kanaka harimwo n'ubumuga bushobora kugira ingaruka ku mahaha yabo, umutima canke ububasha bw'umubiri bwo kwigwanirira
- Ababana n'ahantu harerewe abageze mu zabukuru hamwe n'ahari abarerewe ahantu hari abagendana ubumuga
- Abantu bafise imyaka 18 n'abayirenza batigeze bicandagisha

Nokoresha igipimo ca COVID-19 kimeze gute?

Hariho **ibipimo bibiri bitandukanye** ushobora kuronka kugira usuzume nimba urwaye COVID-19. **Igipimo ca rapid antigen** (RAT) ushobora gukora ubwawe wewe wenyene n'**ibipimo** vya **PCR** (utuntu tuvuye mu zuru no mu marakaraka) bikorerwa ku mavuriro asuzuma iyo ngwara.

- **Iyo ushobora kwandura vyoroshe ingwara** ukwiriye gukoresha **igipimo** ca **PCR**. Iyo udashoboye kuronka inyishu y'igipimo ca PCR ningoga, girisha igipimo ca rapid antigen (nimba ugifise) igihe uba urindiriye inyishu y'igipimo ca PCR.
- Nimba utari mu kaga kanini ko kwandura ingwara zikomeye, koresha igipimo ca rapid antigen kiretse iyo umuganga wawe akubariye gukoresha igipimo ca PCR.

Nokora iki nsanze naranduye COVID-19?



- Iyo igipimo ca **PCR cerekanye ko wanduye**, mbere naho utoba ufise ibimenyetso, uba waranduye COVID-19. Utegerezwa gukurikiza impanuro zihabwa abantu banduye COVID-19 hamwe no gutorera umuti COVID-19 mu mutekano i muhira.
- Iyo wisuzumishije ukoresheje igipimo ca rapid antigen ugasanga waranduye **iyandikishe utange inyishu muri Service NSW** kandi ukwirikize impanuro zihabwa abantu basuzumwe bagasanga baranduye COVID-19 no gutorera umuti COVID-19 mu mutekano i muhira.

Nimba ufise uruhagarara rujanye n'amagara ukaba ukeneye uwugusigurira mu rurimi wumva, hamagara kuri **TIS 131 450** maze usabe Health Direct kuri iyi telephone **1800 022 222**.

© NSW Health June 2022.